KIDS GOD WORSHIP
www.kidworship.kr

# Umunara w´i Babeli

- 5th Story -


29Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Imisi myinshi irarangira inyuma y'ivya Nowa n'umwuzure. Nowa ararondoka yamukako abantu benshi kandi bose bavuga ururimi rumwe. Bagenda mu buseruko mu kiyaya c'i Shinari babayo. |
| Umugabo adugije ukuboko! | Oho, ewe Kimu! Wagurishije amabungo menshi? |
| Umugore yambaye inkofe-ro isa numuhondo | O Kimu we! Habe namba!! Raba iyi ntigiri yose! Hahaha! (Humvikana urwamo mw'ishengero ryari aho). |
| Uwuvuga | Uko abantu bagwira ni ko ico gisagara caguka. Bubaka inzu zi-komeye cane z'amatafari kandi hariho n'indya nyinshi. |
| Umuntu yambaye impuzu z'umukari | Mbega ntitwogerageza kubaka inzu ndende cane n´aya matafari? |
| Uwuvuga | Uko abantu baca ubwenge niko imitima yabo yatangura gu-suzugura Imana. Bituma bizera ko bashobora kuba abakom-eye nka yo. |
| Umuntu adugije ukuboko | Ni muze twubake umunara uzoba muremure cane kw'isi yose. Nta numwe azodushobora nitwaba dufise uwo munara kandi tuzoba dukomeye nk'Imana. |
| Umugore yambaye ibitama | Nta nkeka n'Imana ubwayo ntizokworoherwa kuduhana. |


30Page


| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Abantu bahinduka ibipfu babandanya kubaka umunara w'uburebure budasanzwe, umunara wari kuzoshika no mw´ijuru. |
| Abantu | Hejuru, hejuru " Ingo~~dushiremwo intege-yo!! Ng'iryo! Ijuru riri hafi turaribona! Eeeeh! Ego, ingo! |


31Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Abantu ntibigeze babaza Imana ko yonezererwa uwo munara ariko bariyubakiye gusa. Batangura kwishima kandi ntibaba bagishobora kwubaha Imana. Buri musi uwo munara warushiriza kuba muremure. Imana irabona uwo munara bariko barubaka ariko ntivyayihimbara. Ni uko Imana iyoberanya ururimi rwabo bituma badasubira kwum-vikana. |



32Page



33Page

| | |
|---|---|
| **Umugabo wa 1** | **“Mpa inyundo..”** |
| **Umugabo wa 2** | **“Uvuziki?”** |
| **Uwa mbere** | **“Uuum, uriko uravuga iki?? Navuze mpa inyundo??!”** |
| **Uwa 3** | **Wacka, wacka, koo koo?** |
| **Uwa 4** | **Horollo horololo.** |
| **Uwa 5** | **Uru rwamo ni ibiki??Ni ibiki bibaye aka kanya??”** |
| **Uwa 6** | **Babu hao! Babu hao! Nani? Nani?** |

........................................................................................................................

| | |
|---|---|
| **Uwuvuga** | **Abantu ntibaba bagishobora kumvikana mu rurimi. Bararyana ntibaba bagishobora gukorana. Bahagarika kwubaka uwo munara hanyuma basanzara mu mpande zisi zose. Kuva ubwo, abantu baca bamenya ko Imana ihambaye. Uwo munara witwa “ Umunara w’I Babeli” kandi ntiwabaye ukibandanya kwubakwa.** |